# Bibiliya y'Abana
Ishikirije



# Umwigeme Yabayeho Incuro Zibiri

Yanditswe na: Edward Hughes

Amashusho ashirwamwo na:
Janie Forest; Alastair Paterson

Itunganywa na: Ruth Klassen

Isobanurwa mu Kirundi na:
Manurakoze Pacifique

Yateguwe na: Biblefor Children
www.M1914.org


©2024 Bible for Children, Inc.
Uburenganzira: Murafise uburenganzira bwo kwimura canke gusohora ku mpapuro iyi nkuru mugihe gusa mutayigurisha.



Yayiro yari umuyuda, umukuru w'isinagoyi, yubaha Imana kandi yigisha abandi ijambo ry'Imana. Umusi umwe, icago kiramushikira. Umukobwa wiwe yakunda cane, yari afise imyaka cumi n'ibiri, ararwara. Biboneka ko atanumwe yashoboye kugira ico amufasha. Yari indwara ikomeye, Yayiro amenya ko umukobwa wiwe agira apfe.





Umuntu umwe wenyene niwe yashobora gufasha umukobwa wa Yayiro. Yayiro arasohoka kugira ngo aje kurondera Yesu kandi ace amuzana muhira iwe. Yari azi ko abagenzi biwe bo mw'isinagogi ko batemera Yesu. Ariko ntaco bitwaye.
Yategerezwa kwakira uwumufasha imbere y'uko umukobwa wiwe apfa.
3



Yayiro asanga Yesu arikumwe n'abantu biwe.
Bari bapfukamye imbere y'ibirenge vyiwe. Nawe aramubwira ati: "Umukobwa wanje agira acikane, ingo, umurambikeko ibiganza kugira ngo akire kandi abeho."
4


Yesu ajana na Yayiro. Ariko ntibagenda banyaruka kuko bari mw'igugu ry'abantu. Hari umugore yari amaze imyaka cumi n'ibiri arwaye. Yari yaragiye kubaganga bose (yatanze n'ivyiwe vyose) ariko ntiyakira. Oh, nawe yashaka kubona Yesu!!
5


Mbega uyu mugore hari ico yashobora gukora? Aravuga ati: "Naho nokora kumpuzu ziwe gusa, nokira." Aza mw'iryo gugu ry'abantu aciye inyuma ya Yesu aca akora kumpuzu ya Yesu.
6



Igitangaza!! IGITANGAZA!! Wamugore arakize. Ubwonyene!! Arakize neza!! Aca yumva ameze neza. Ariko yumva ijwi rya Yesu ribaza riti: "Ninde ankozeko?" Igugu ry'abantu ryari ryamukozeko ariko uwo mugore amenya ko ariwe ariko arabaza. Atinye cane, amubwira inkuru yiwe yose.
7


Uwo mwanya, abakozi ba Yayiro baza bavuye muhira. Mumaso habo herekana inkuru y'umubabaro bazanye. Babarira Yayiro bati: "Umukobwa wawe yapfuye!!"
Yapfuye!! Bari batevye cane. Kumbure iyo wa mugore ataba yabatebeje… kumbure umwana mwiza wa Yayiro ntaba yagiye…
8



Yesu yumvise ivyo, aramwishura ati: "Ntutinye, wizere gusa, kandi arakira." Nk'uko vyari bigoye cane kwizera vy'ukuri Yesu. Umukobwa wiwe yari yapfuye.


9



Imuhira, umuntu wese yariko aririra umukobwa wa Yayiro. Yesu arababwira ati: "Umwana ntiyapfuye, ariko arasinziriye." Baramutwenga. Bari bazi ko umwana yapfuye.

10

Yesu arabasohora, afata wamukobwa ukuboko aramubwira ati: "Gakobwa, Vyuka." Yayiro yari aho, arikumwe n'umugore wiwe. Abigishwa batatu ba Yesu nabonyene bari ngaho. Bose bumva amajambo ya Yesu. Uwo mukobwa mutoyi yapfuye yoba aza kwumva ivyo Yesu amubwiye?




11

Uwo mukobwa yumva itegeko rya Yesu!! Impwemu yiwe iragaruka, aca ahaguruka ako kanya. Yesu yari amuzuye m'urupfu.



12

Abavyeyi biwe baba mugutangara cane. Yesu ababarira guha umwana wabo ivyo afungura. Kuko bari banezerewe; bashimira Yesu!! Urukundo rwiwe n'ububasha bwiwe vyabagarukaniye umukobwa wabo yari yapfuye.



13

Umwigeme Yabayeho Incuro Zibiri

Inkuru ivuye mw'Ijambo ry'Imana, Bibiliya

tuyisanga muri

Mariko 5, Luka 8

"Guhishurirwa amajambo yawe kuzana umuco, guha abatungu ubwenge." Zaburi 119:130

14






Iyi nkuru ya bibiliya itubwira kuvyerekeye Imana
yacu y'igitangaza yaturemye kandi igashaka ko tuyimenya.

Imana irazi ko twakoze ibibi, arivyo yita icaha. Igihano c'icaha ni urupfu ariko Imana iragukunda cane yarungitse umwana wayo w'ikinege, Yesu, gupfa ku musalaba kugira ahanwe kubw, ivyaha vyawe. Hama Yesu asubira kubaho aca agenda I muhira mw'ijuru. Niwizera Yesu ukamusaba aguharire ivyaha vyawe, azobikora. Azoza abe muri wewe, hama uzobana na we ibihe bidashira.

Niwizera uko ni ukuri, bwira Imana ibi:
Yesu mwiza, ndizera ko uri Imana, kandi wacitse umuntu ugapfa kubera ivyaha vyanje, hama ubu ukaba uri muzima. Rero ingo mu bugingo bwanje hama uharire ivyaha vyanje, kugira ngire ubugingo bushasha, hama umunsi umwe nze mbane na we ubugingo budashira. Mfasha kugira ndakwumvire kandi mbeho ku bwawe nk'Umwana wawe. Amen.

Soma bibiliya hama uvugane n'Imana iminsi yose. Yohana 3:16